AHO UMUGAMBWE UPD-ZIGAMIBANGA UHAGAZE KUBIJANYE N'AMAJAMBO YASHIKIRIJWE NA MUSITANTERI WA KOMINE MPANDA

Umugambwe UPD-Zigamibanga waraguye mu gahundwe aho wumviye ku maradiyo amajambo Musitanteri wa Komine Mpanda, Umushingantahe Cléoface NIZIGIYIMANA, yashikirije mu Nama y'umutekano kw,igenekerezo rya 18 Nzero 2010 ku bijanye n'igandagurwa ry'Umuzigamibanga NIYONZIMA Sylvestre batazira BIKORA hamwe n'umugambi wo kumugandagura, iyo nayo ikaba ari inkono ishushe yegeka ku banywanyi b'Umugambwe UPD-Zigamibanga.

Muvyo yashikirije, Musitanteri aravuga ko umunywanyi w'umugambwe UPD-Zigamibanga, Sylvestre NIYONZIMA yagandaguwe n'Abanywanyi b'uwo Mugambwe nyene, kandi ko hari akarwi kagizwe n'abantu bane b'uwo Mugambwe bakoze Inama kw'igenekerezo rya 14 Nzero 2010 yokwihora mukugandagura Musitanteri.

Umugambwe UPD-Zigamibanga uriyamirije wivuye inyuma ivyo Musitanteri yashikirije kuko bijanye n'ukuyovya amatohoza ashobora kuba ku bijanye n'urwo rupfu .

Umugambwe UPD-Zigamibanga uboneyeho akaryo ko gusaba inzego zibijejwe ko bofatira aho nyene kuko biragaragara ko uwo Musitanteri azi neza ingene vyagenze.

Uwo Musitanteri nyene arongera ko nyakwigendera yari inkundwakazi mu Mugambwe. Aha ico umuntu yokwibaza, ko uwo Musitanteri atari umunywanyi w'uwo mugambwe yomenya gute inkundwakazi zawo ? Murumva ko ashaka kwisuka mu vy'Umugambwe mu ntumbero yo kuryanisha abanywanyi bawo.

Abantu bamwe bamwe bo mu Mugambwe uri ku butegetsi bagiye baratumwa gushikira umuhisi NIYONZIMA Sylvestre kumutera ubwoba ngo agaruke muri uyo mugambwe . Mu kubiyobagiza, Musitanteri nawe yaciye afata ingendo yo kuyovya yivugira ivyo yishakiye ku bijanye n'urupfu rw'uwo muhisi bikaba bigaragara ko hari ico abiziko.

Umugambwe UPD-Zigamibanga uriyamirije wivuye inyuma ivyo vyose, kandi uriyemeje gukurikiranira hagufi urupfu rw'umunywanyi wawo.

Mu bigenda birashikira Umugambwe UPD-Zigamibanga, kwaba ukwicwa kw'abanywanyi, haba ugupfungwa kwa bamwe bamwe mu banywanyi b'Umugambwe, haba iburabuzwa ryawo, biragaragara neza ko Umugambwe uri ku butegetsi wafashe ingendo itandukanye n'ingendo ya Demokarasi.

Umugambwe UPD-Zigamibanga urateye ivyatsi iyo ngendo ata kindi ugamije atari gukamira mu cogeje abansi ba Demokarasi bihaye ingendo igayitse yo gusubiza inyuma inzira ya Demokarasi.

Umugambwe UPD-Zigamibanga uremereye Abarundi n'Amakungu ko wowo udashobora gusuka ikibi mu kindi. Nta ciyumviro co kwihora uzigera ugira. Ariko bitebe bitebuke abihaye ububasha bwo kwambura ubuzima NIYONZIMA Sylvestre n'abandi banyagihugu bazohanwa ruhasha hisunzwe Amategeko.

Umugambwe UPD-Zigamibanga urazi ko Umuhisi Sylvestre NIYONZIMA yazize umwete n'ubukerebutsi mu bikorwa vy'Umugambwe ari naco gituma Abazigamibanga bose dutegerezwa kugira urunani n'umwumvikano kugira ntiducike intege kubera ivyabaye.

Muvyo Musitanteri avuga biragaragara ko igandagurwa ry'Umunywanyi wacu ashaka kuryegeka ku banywanyi b'Umugambwe UPD-Zigamibanga mu ntumbero yo kubacanishamwo. Uko gushaka guca urubanza atabubasha abifitiye aho guha umuco ababijejwe birerekana neza ko hari ico abiziko tukaboneraho gusaba ko abajejwe amatohoza bomwegera kugira ngo abahe umuco.

Umugambwe UPD-Zigamibanga ukaboneraho kumwibutsa ko wewe ajejwe Imigambwe yose ikorera muri Komine arongoye aho gukora mu nkovu Umugambwe UPD-Zigamibanga, abanywanyi bawo, na cane cane Umuryango wa Nyakwigendera.

Bigiriwe i Bujumbura ku wa 20 Nzero 2010

Ku bw'Umugambwe UPD-Zigamibanga

Umushingamateka François – Xavier NSABABANDI

Icegera c'Umuvugizi w'Umugambwe.